Bibiliya y'Abana

Ishikirije

Imana igerageza urukundo rwa Aburahamu

Yanditswe na: Edward Hughes

Amashusho ashirwamwo na:
Byron Unger; Lazarus; Alastair Paterson

Itunganywa na: M. Maillot; Tammy S.

Isobanurwa mu Kirundi na:
Manurakoze Pacifique

Yateguwe na: Biblefor Children
www.M1914.org

©2022 Bible for Children, Inc.
Uburenganzira: Murafise uburenganzira bwo kwimura canke gusohora ku mpapuro iyi nkuru mugihe gusa mutayigurisha.


Ijoro rimwe, Imana
iha Aburahamu
itegeko ritanganje.
Cari igipimo kugira ngo
Imana irabe ko Aburahamu
akunda umwana wiwe
gusumba
uko akunda
Imana.

“Fata umwana wawe Isaka umunshikanire ambere ikimazi” Imana iramutegeka.
Gutanga Isaka? Gutanga umwana wiwe ngo abe ikimazi?
Vyari bigoye cane kuri Aburahamu.
Yarakunda cane umwana wiwe.

Ariko Aburahamu yari yarize kwumvira Imana no mugihe ataba atahura ivyo Imana imubariye.

Mugatondo, afata inzira aja k'umusozi aho yaja gutangira umwana wiwe ngo abe ikimazi arikumwe na Isaka n'abasavyi biwe babiri.

Imbere yo kugenda, Aburahamu atekera inkwi zo gucana kugicaniro yatangirako ikimazi. Aburahamu yari afise intumbero yo kwumvira Imana.



Haheze imisi itatu,
igihe yariko aregereza
gushika k'umusozi, Aburahamu
abarira abasavyi biwe
ati:
"Sigara ngaha".
Isaka na jewe
turagenda
...

... dushike hariya kugira
ngo dutazire Imana
hanyuma tuzogaruka tubarabe.
Isaka yikorera inkwi
Aburahamu nawe
yakira amakara
yo kudomeka
umuriro hamwe
n'imbugita.


“Umwagazi dutangako ikimazi uri hehe?”
Isaka abaza se wiwe.
“Imana iraduha yonyene umwagazi” Aburahamu yishura Isaka.

Aba babiri bompi bashika
mukibanza Imana yari yatoye.
Aburahamu yubaka
igicaniro hanyuma
ashirako zankwi ngo
ahe ikimazi Imana.

Aburahamu yari yarubatse ibicaniro vyishi imbere y'uko ibi bishika ariko iki coco cabaye ikigoye cane kubaka.

Aburahamu aboha isaka hanyuma aryamika umuhungu wiwe akunda cane kuri ca gicaniro. Aburahamu yoba yagira yumvire Imana mugutanga Isaka umwana wiwe umwe gusa yari afise

kandi yakunda cane?


Ego!
Ubugi
bw'imbugita
bwarakayanganye
igihe Aburahamu
yayiduza hejuru
agira akererere
umwana wiwe.

Umutima wiwe wari ubabaye cane ariko Aburahamu yari aziko ategerezwa kwumvira Imana.

"Geza aho"
Umumalayika
w'Imana
avuga
cane.

“Ubu
menye ko
wubaha
Imana kuko
utanyimye
umwana
wawe
kandi ari
ikinege”.

Yitegereje abona impfizi
y'intama mugisaka,
Aburahamu abohora
Isaka maze atanga
iyo ntama iba
ikimazi
mukibanza
ca Isaka.

Birashoboka ko Isaka yibajije ati: “Imana yatanze umwagazi nk’uko papa yari yabivuze.”

Igihe se n'umwana bariko batazira
Imana, umumarayika yasubiriye kubwira
Aburahamu ati:

“Amahanga yose yo kw’isi azoherwa umugisha m’uruvyaro rwawe kuko wanyumviye.” Haheze igihe kirekire, Yesu aravuka m’uruvyaro rwa Aburahamu.



Aburahamu na Isaka basubira iwabo.
Haheze igihe, umubabaro urinjira,
Sara arapfa. Aburahamu yari abuze
umukenyezi wiwe Isaka

Bamaze guhamba
Sara, Aburahamu
atuma umusavyi
mukuru mubasavyi biwe ngo aje
kuronderera ...

... umukenyezi
Isaka. Uwo
musavyi asubira
mugihugu cabo c'amavukiro
kugira ...

... ngo aronke
umukenyezi wa
isaka mubasangiye
umuryango na Aburahamu.

Uwo musavyi asaba Imana ikimenyetso. “Umukenyezi aza guha amazi ingamiya zanje aza kuba ariwe wateguriye Isaka.”

Ubwo nyene Rebeka aca aha amazi yo kunywa ingamiya za nyamusavyi. Yava m'umuryango umwe na Aburahamu. Wa musavyi aca amenya ko Imana imwishuye kuri rya

Rebeka ava m'umuryango wiwe aja kubana na Isaka. Bahozwa umubabaro batewe n'urupfu rwa nyina wiwe.

Imana igerageza urukundo rwa Aburahamu

Inkuru ivuye mw'Ijambo ry'Imana, Bibiliya

tuyisanga muri

Itanguriro 22-24

"Guhishurirwa amajambo yawe kuzana umuco, guha abatungu ubwenge." Zaburi 119:130

Iherezo

Iyi nkuru ya bibiliya itubwira kuvyerekeye Imana yacu y'igitangaza yaturemye kandi igashaka ko tuyimenya.

Imana irazi ko twakoze ibibi, arivyo yita icaha. Igihano c'icaha ni urupfu ariko Imana iragukunda cane yarungitse umwana wayo w'ikinege, Yesu, gupfa ku musalaba kugira ahanwe kubw, ivyaha vyawe. Hama Yesu asubira kubaho aca agenda I muhira mw'ijuru. Niwizera Yesu ukamusaba aguharire ivyaha vyawe, azobikora. Azoza abe muri wewe, hama uzobana na we ibihe bidashira.

Niwizera uko ni ukuri, bwira Imana ibi: Yesu mwiza, ndizera ko uri Imana, kandi wacitse umuntu ugapfa kubera ivyaha vyanje, hama ubu ukaba uri muzima. Rero ingo mu bugingo bwanje hama uharire ivyaha vyanje, kugira ngire ubugingo bushasha, hama umunsi umwe nze mbane na we ubugingo budashira. Mfasha kugira ndakwumvire kandi mbeho ku bwawe nk'Umwana wawe. Amen.

Soma bibiliya hama uvugane n'Imana iminsi yose. Yohana 3:16